REPUBLIQUE DU BURUNDI
Parti CNDD-FDD
Conseil National pour la Défense de la Démocratie - Forces pour Défense de la Démocratie.

Tel. :00257-22250193
Tel/Fax : 00257-22250193
e-mail: cndd-fdd@burundi-info.com
site : http//www.burundi-info.com

UBUTUNGANE DEMOKARASI ITERAMBERE

NO 1 RUHUHUMA 2011

IMYAKA ITANU IRAHEZE IVYIYUMVIRO VY'URUGAMBA RW'ABANYAGIHUGU BITANGUYE KUJA MU NGIRO

IKIGABANE CA MBERE

Intangamarara

Abarundi benshi barazi icatumye Urugamba rwo guhabuza intwaro ya Demokarasi yari yanigiwe mu menshi n'intwaro z'igikenye kuva Uburundi bwikukiye. Nta wuyobewe igandagurwa rya RWAGASORE, NGENDANDUMWE, NDADAYE, abasirikare, abajandarume n'izindi mboneza nyinshi zagandaguwe mu bihe vyakurikiye ukwikukira k'Uburundi ;tutibagiye isinzi ry'abarundi ryagandaguwe ata kindi bazira Atari uguharanira Intwaro ya Demokarasi. Mu mwaka w'1993 niho abarundi isinzi basubira kwiha iteka bitorera Umukuru w'Igihugu biciye mw'ihiganwa ry'imigambwe myinshi ariko murazi ko wa murwi w'abarundi batigeze bemera INTWARO YA DEMOKARASI basubira kwiha inkumbi mu kugandagura uwari yatowe Melikiyoro NDADAYE n'abo bakorana tutibagiye isinzi ry'abarundi baciye batangura kwicwa nk'ibimonyo, ukwihora hagati y'amoko, hirya no hino mu gihugu inganda zigatikira tudasize inyuma abarundi isinzi bangajwe bagahungira mu bihugu bidukikije no mu yandi mahanga.

Niho abarundi bamwe bamwe baca babona ko ata yindi nzira yari isigaye atari ugufata inkoho kugira bahangane n'igisoda cariho kuko arico cari intambamyi ya DEMOKARASI.

Ariko murazi ko Leta yaguma ivuga ngo ntishobora kuganira n'abo yita aba TTG (TRIBALO-TERRORISTE- GENOCIDAIRES) Ariko urugamba aho rukomereye na canecane ko rwari urugamba rwumvikana, intambara yahavuye ihagarara mu mpera z'umwaka w'2003.

IKIGABANE CA KABIRI

• MBEGA ABARI KU RUGAMBA BAHEVYE INTAMBARA BUMVIKANYE IKI N'ABENEGIHUGU?

• BUMVIKANYE IKI KUVYO BAZOKORERA ABENEGIHUGU?
• ABARI KU RUGAMBA HAGATI YABO BUMVIKANYE IKI?
• MU GIHE UMUHARI CNDD-FDD UZOBA WACITSE UMUGAMBWE BUMVIKANYE IKI KUVYO UZOKORERA ABARUNDI , ABASIRWA B'ABARWANYI BASHESHE AMARASO YABO?

Ngizi zimwe mu nyishu zibi bibazo:

Bagumyabanga, ababizi n'abatabizi twagomba twibukanye mu ncamake kugira ngo twihe inyishu ku vyakozwe muri mandat ya mbere no ku biriko birakorwa haba muri Leta canke mu mugambwe, gutyo umuntu wese yihe inyishu afatiye kuvyo yabonye mu ntwaro yacu kuva mu mwaka w'2005 gushika ubu aravye kandi n'intwaro za kera zari zarafukamye mu nda abarundi kuva Igihugu cacu cikukiye.

IKIGABANE CA GATATU :

IVYO ABENEGIHUGU BUMVIKANYE N'UMUHARI KUGIRA INTAMBARA IHAGARARE

Igihe Umuhari waja mu biganiro vyo guhagarika intambara na Leta wabanje kubisaba abanyagihugu na cane cane ko urugamba rwari urwabo, ni mwiyo ntumbero abari bajejwe kwigisha urugamba mu banyagihugu baciye bashwiragira igihugu cose kugira bumvirize ico abanyagihugu basaba nico bipfuza kugira intambara ihagarare, Icavuyemwo nuko benshi bagize bati:

genda mu gihugu mwumvikane na Leta mwemeranye amatora natwe tuzobaha amajwi. Mutsinze twipfuza ko ubutegetsi bwacu bwodukura mu bukene, bukaduha ijambo, bwoducungerera umutekano, bwokura akarenganyo mu bice vyose vy'ubuzima bw'igihugu, muri make muzoshinge intwaro nziza kuri bose itandukanye n'izindi ntwaro twarwanije …

IKIGABANE CA KANE

Abari bagiye murivyo biganiro baribuka ko abanyagihugu basavye bashimitse

kutazohirahira ngo intwaro yacu izokore nkuko intwaro za kera zakora. Navyo bikaba muri make vyari ibi bikurikira:

- Kudasahura Leta
- Kutarya ibiturire
- Kutica no kutabeshera abantu kugira bakorerwe ikibi
- Kutaryanisha abantu
- Kudacanishamwo abanyamugambwe n'abarundi
- Kutagira nkunzi mu buzima bwa misi yose
- Gutunganiriza bose…

BIMWE MUVYO BADUSAVYE GUSHIRA IMBERE :

- Guha akazi abantu bose twisunze ivyagiye birashikira Uburundi mu bijanye n'akazi muri kahise…
- Kwigisha abana bose b'abarundi mu bice vyose vy'ubuzima bw'amashule twisunze cane cane ingene habayeho ikumirwa mu vyerekeye indero kuva mu mashule y'intango ayisumbuye na kaminuza
- Kubaka igihugu c'abarundi bose ndetse n'abanyamahanga
- Guteza imbere igihugu n'abakibamwo bose ata nkunzi
- Kurandurana n'imizi icitwa amacakubiri iyava akagera n'ibisa nayo vyose
- Gutunganiriza abarundi no kubarenganura mu bijanye n'amatongo yabo ufatiye ku karenganyo kagiye karakorwa n'intwaro za kera
- Gutunganya ubutungane bukora neza kandi bukorera abarundi bose ku neza y'igihugu n'abakibamwo bose ata nkunzi kandi bwigenga…
- Guteza imbere uburimyi n'ubworozi kugira ikigoyi n'ubukene biranduranwe n'imizi
- Gutunganya neza inzego z'umutekano kugira zikorere abarundi bose zongere zicungere umutekano w'ababa mu Burundi bose hisunzwe ivyavuye mu biganiro vyo guhagarika intambara na Leta
- Gutunganya neza ibijanye n'imigenderanire n'ayandi makungu kugira igihugu cacu gisubirane iteka mu makungu duhereye ku bihugu bibanyi kandi vyagize akigoro mu kugarukana amahoro mu Burundi kugira kandi amakungu agirire icizere igihugu cacu…
- Gukurikiza impanuro zimwe zimwe z'abakurambere mu ngamba z'abenegihugu zimwe zikaba zavuga ziti :

• Ugahabwa ubutegetsi n'abenegihugu ntuze uhirahire ngo ukore ibisa n'ivyuwo babwatse yakora.

• Ugashikira igihugu ntuze ukibaze ivyo kizoguha ahubwo nyabuna uribaza ico ukizaniye canke ico uzogifasha

• Ugahabwa ubutegetsi n'abenegihugu , bashonje canke bakenye,urabanza ukene nkabo wongere usonze nkabo hanyuma ni wabateza imbere nabo bazoguteza

imbere

Murino misi iyo uravye ibiriko biraba mu nzego z'igihugu n'umugambwe wokwibaza ibibazo vyinshi kandi vyogora ingene wiha inyishu uri umuntu wigeze kumenya neza ico urugamba rwa DEMOKARASI rwamaze nico rwari rugamije. Ibibazo umuntu yokwibaza bimwe bimwe ni nk'ibi bikurikira:

- Mbega ko urugamba rwariye imisore n'inkumi barenga ibihumbi cenda bazwi n'abazimiye batazwi bakaba barenga abo, ibihumbi vyabanyagihugu bakaba barishwe bazira ko bashigikiye urugamba rwa DEMOKARASI, abo bose boba bafuye kugira ngo

- Dusahure itunga rya Leta?
- Dusesagure ubutunzi bw'abenegihugu?
- Turye imfuvyi n'abafakajwe n'urugamba rwa DEMOKARASI?
- Dute nk'akanuka abitanze kugira tube aho turi ubu?
- Turye ibitururire n'ayandi mabi dukorera abene gihugu ?
- Mbega haraho twibuka abatumye dushika mu biti n'ibindi bibanza turimwo ?
- Mbega iyo tuduze ruguru haraho tubona aho ubukene n'ikigoyi bigejeje abenegihugu?
- Wewe uduza ibizu ku musi ku musi vy'ama miliyoni, haraho wibuka ko umunyagihugu ariwe yagushize aho uri ariko akaba uno musi arara atariye nakunyu canke umwana yishwe n'ikigoyi?

- Canke hoho haraho wibuka abategetsi nka ba Mobutu, ba Havyarimana, Iddi Amin, Jean Beddel BOKASA, Nicolas Cheosescous(Romania) n'abandi uzi babayeho kuriyi si batitayeho abenegihugu ?

- Amazu basize bubatse abamwo bande uno musi?
Amafranga basahuye ibihugu vyabo uno musi ariko aribwa
naba nde ?
Intwaro zabo zozo uno musi zaroye hehe?

- Mbega ko uzi neza ivyo twasezeraniye IMANA tukaba twarayishize n'imbere mu bintu vyose dukora, haraho ijambo ry'Imana ridutegeka gusahura igihugu, kurya ibiturire, ubwicanyi n'ayandi mashano twirirwa turakora?

Uno musi urasahura igihugu, urakora ibibi vyose ushaka ukibaza ko ata kizokunyiganyiza, ariko umenye ko umusi uri izina abenegihugu ni baguhinyura bakamenya neza ivyabo wagize rwawe bazobikwishuza kandi bizokugora kwishura. Bitebe bitebuke igihe kizoshika babikubaze kuko igihe twava ku rugamba ivyo ukora sivyo bari bagutumye.

Bagumyabanga namwe barundi mubona aho igihugu cacu kiriko kiraja, mu mwaka w'2007 abagumyabanga benshi bariyamirije uwahora atwara umugambwe CNDD-

FDD , RADJABU Hussein kuko ico gihe abatari bake twabwirwa ko uyo muntu yariko ajana igihugu n'umugambwe mu nzira benewo batari barumvikanye kandi wumvirije uko babisigura wagira nivyo. Ariko uno musi abatari bake baribaza bati: mbega kuva Radjabu abogojwe mu rwego rwo gutwara umugambwe CNDD-FDD ndetse agatabwa mu mvuto, ibintu vyaciye bigenda neza kurusha nkuko benshi bavyifuza kandi bari bavyiteze?

Ubwo ntabari batunnye kugira ahavuye bace ahubwo bakora amarorerwa asa n'ayo tubona?
Ehe namwe ubusuma bavuga ko yakora bwaciye bugwizwa, inzankano zaciye ziba ndanse, ibiturire vyarashinze ruraguma, ukwimbana mu mizi, ugucanishamwo abeneburundi, n'ayandi mabi atavugwa mwese mubona vyariyongereye.
Si ivyo gusa iyo uravye neza abagumyabanga benshi mu biyamirije Radjabu ubu benshi batawe kure nk'akanuka ubwo nta bindi vyari vyinyegeje, abarundi n'abagumyabanga batari bazi ico gihe? Ubwo ntiboba bagize bati aba bantu ko bashaka ineza y'igihugu badashaka akatujamwo ntibazohava natwe batwiyamiriza?

Ubu umugabo n'uwiba agashikana nawe akisigariza nayo uwudashikanye canke agatanga bike atabwa mu mvuto canke akabogozwa mu mabanga. Ubu ahanini kugira uronke amabanga utegerezwa kuba wumvikana n'ako karwi canke ukemera kuzoshikana canke mukaba musangiye agatumba, intara n'ibindi ataho bihuriye no kuba ubikwiye.Ubu abadashima gusahura basigaye ari ibicibwa, n'ibivume. Bamwe usanga bahigirwa gutuzwa mu mabanga abandi bararementanirizwa, bagacanishwamwo canke bakadodoberezwa n'ibindi …
Raba ingene akazi gatangwa, ubu utikoze kuwepfo ntaco uhanoba.

Uno musi uhirahiriye ngo uvuge canke ucishe mu kanwa ubusuma, ibiturire n'ayandi marorerwa, ahubwo ni wewe ucika umugesera. Ugize uti yamara ni murabe ivyatumye haba urugamba rwa DEMOKARASI, uti nyabuna kubitiza agatima mpembero mwibuke ingene abenegihugu badutunze imyaka yose twamaze ku rugamba n'ingene abenshi muri bo bemeye kuhasiga agatwe bazira ko batuzaniye ibiribwa canke ibindi twari dukeneye canke gusa ko bashigikiye urugamba, ugize uti nyabuna ibuka igihe bamwe muri twebwe bari bageramiwe na SUTAMA (KWASHI) ndetse abatari bake ikaba yarabahitanye, ugize uti ibuka bamwe batuzimurura tugomba kugwa mubo twari duhanganye. None tuzogarukira hehe?

Abariko baraniganira ubutegetsi bwo gutwara umugambwe womenga n'intambwe zubuye impongo! Kandi si ineza y'igihugu n'umugambwe bariko baraniganira, turazi neza ko ari ukugira babandanye ububisha bwabo bwabaranze kuva barongoye umugambwe.
Mumenye neza ko bariko bitegura bikomeye kugira babandanye amabi yabo, ubu bagize imisi bakwiragira igihugu cose bategura abazobashigikira bongera bahenda bamwe bamwe mu ndongozi z'urwaruka ngo babagirire poropagande mu gihugu, kugira bashireho abazobakingira ikibaba igihe bazoba bageze mu mazi abira, canke

basi bashireho INKOMAMASHI

Abatari bake baribaza vyinshi na cane cane ko abo bantu bagifukamye mu nda batunze cane ku buryo n'uwokofora yohakwa kuhasiga amagara. Ariko bagumyabanga muribuka ko Umugambwe wanyu wagiye ugarukira ku manga ibihe vyinshi kandi Uhoraho Imana yawo ariyo yanyu yagiye ibereka ko mudakwiye kugira ubwoba n'ukwihebura, n'ubu turazi neza ko Imana itazemera ngo ivyo yasezeraniye umugambwe wacu bigende akagirire, ni mureme rero ahubwo nyabuna ni mushikame musenge mu kuri harageze.

Bagumyabanga mucibuka icari carabatumye muharanira DEMOKARASI ndetse benshi mukahamugarira tutibagiye benewacu basheshe amaraso yabo kugira DEMOKARASI igaruke mu gihugu cacu, mutegerezwa kumva ko tutohebera umugambwe wacu ba nda ndende aribo bahanze igihugu n'umugambwe. Mwa bino bihe n'ukubabuza iyo ntumbero bafise, ahandi ho tuzibuka kubogora amazi yarenze inkombe.

IKIGABANE CA GATANU

BIMWE MUVYO MUKWIYE KUMENYA NI IBI BIKURIKIRA:

Nta wundi azoza kubasubiza iteka canke ngo asubize Umutamana umugambwe wanyu n'igihugu atari mwebwe ubwanyu, ahubwo ni mwaraba nabi nivyahuha bizohuhuka kuko hari abashobora kuvuga bati birabananiye reka twisubize ubutegetsi kandi benshi bazobitegera.

MBEGA ABAZOJA IMBERE Y'ABANDI MU KUBARWANYA NI BANDE?

* Abaryi b'ibiturire
* Abasahura itunga ry'igihugu
* Abafise ivyo biyotsa mu bubisha bw'ubwoko butandukanye
* Abahawe akazi babanje gutanga ibiturire
* Ababaye abashingamateka n'abakenguzamateka babanje gushikana,
* Abafitaniye imigenderanire ifatiye ku bubegito n'aba tuvuze mw'iki gice
* Abatazi urugamba rwa DEMOKARASI
* Incuti zimwe zimwe z'abo twavuze muri iki kigabane
* Abo bose bafise inyungu umugambwe n'igihugu vyacu bigumye biboshwe n'abo twadondaguye mw'iki kigabane
* Inkomamashi n'abatazi iyo bava niyo baja
* Ba nzojiyobiri, nzosabuwimye, ntirumveko, ntirumpitane…

MUMENYE INGENE BAZOTURWANYA KUGIRA NGO MUVYITEGURIRE HAKIRI KARE NTIBIZOZE GITURUMBUKA

Bamaze kwikeka ko hariho abatemera ububisha bwabo

• Bazoca bakwiragira imitumba , amakomine , intara kugira baje kubwira abenegihugu ko muri abasambuzi, muriko mukorana n'umukeba n'ibindi
• Mumenye ko bazobarementaniriza bikomeye
• Bazobita abagumutsi
• Bazobakorera inteba ishushe
• Bazobita ko mukorana n'abicanyi
• Bamwe muzokurwa mu kazi muhowe ubusa
• Bazobaryanisha bongere babacemwo imigwi
• Bazobaha amahera canke bace babemerera akazi
• Bazobacanishamwo bakoresheje ubwoko bwanyu, intara…
• Bazovuga ko mukorana n'imirwi y'iterabwoba
• Nta kibi batazobakorera kuko kuribo guheba ubwo bubisha ni nko gusogotwa intambi. Murumva rero ko ataco bazosiga inyuma mu kubarwanya.

Ariko mumenye ko muzotsinda kuko nta narimwe Imana yigeze iheba abayo muzorutsinda na kare si inabi mwifuza atari agateka kanyu n'igihugu .

IKIGABANE CA GATANDATU

ABAGUMYABANGA BOKORA IKI KUGIRA NGO AYO MABI AHAGARARE ?

Bagumyabanga murazi ko umugambwe wacu ariwo uramutswa igihugu kuva mu 2005 birumvikana ko amabi yose ari twebwe tuzoyabazwa. Ikindi naco mumenye ko uko turi benshi niko n'ingaruka mbi yayo mabi agwa ku benegihugu badutoye, nibo bishwe n'ubukene, nibo bishwe n'inzara nico gituma ari twebwe dutegerezwa guhaguruka kugira ngo igihugu ntikitujane tubona.
Tukaba rero tugomba kumva ko dutegerezwa kwifatanya n'abarundi bose tukarwanya ayo mabi hakiri kare. Murantegera neza iyo mvuze kurwana, ntimuhave mwibaza za ntambara z'amasase n'amabombe. Oya n'urugamba rw'amahoro, rw'umutekano. Muri make ni urugamba ruzira amaraso n'ubwononyi kuko ntaho twoba dutaniye n'abafukamye mu nda igihugu. Mumenye ko urugamba rwo gusesa amararaso rwataye igihe tuzokoresha ukuri, kandi nta na rimwe ukuri kwigera gutsindwa.

Bagumyabanga, nta banga na rimwe tutazi rijanye n'amarorerwa yakozwe n'ako karwi turabazi bikwiye nivyo bakoze vyose turabizi. Ico mwomenya co n'uko umusi abagumyabanga n'abarundi bazomenya ivyakozwe n'ako karwi, bamwe bazorira abandi bazokwifata ku munwa, kandi tuzobishira ahabona vyose hanyuma abarundi n'amakungu bamenye ukuri aho kuri.
Ivyakozwe bibi tuzobishira ahabona maze intahe niyaba izovyubahuka ibakukubite

mu gahanga kuko ivyo bakoze sivyo abagumyabanga babatumye. Uru rugamba rwerekeye cane cane ba kaboko, abicanyi n'abaryi b'ibiturire kugira nkuko twabivuze mu ntango igihugu cacu kigire izina ryiza mu makungu.

Ikindi mwomenya n'uko ako karwi katembeje igihugu n'umugambwe kazwi n'amazina yabo arazwi n'ivyo bakoze vyose birazwi.

IVYO DUTEGEREZWA KWIRINDA MU GIHE TUZOBA DUHANGANYE N'AKO KARWI :

• Muraguma mwunze urunani rw'intamenwa
• Muraguma muhanahana amakuru canecane ivyo ka karwi kazoba kariko karategura
• Muririnde ivyiyumviro vyose vyoza bibatandukanya n'abo musangiye urugamba
• Muririnde ico cose coza kigomba gusesa amaraso ya benewanyu
• Muririnde kwonona ivya barundi kuko sibo bishe igihugu
• Muririnde akaborerwe kuko gatuma umuntu ashobora gutirimuka
• Muririnde abobazanamwo ivyimigambwe
• Muririnde rwose abazobazanamwo ivy'intara, amoko, amashule, ibitsina n'ibindi bicanishamwo abasangiye urugamba.

Mu gusozera twagomba tubabwire ko amabi ako karwi katuzaniye ari menshi cane kandi mumenye ko amabi n'amagorwa biturindiriye tudahagurutse ngo tugire urunani rw'intamenwa, ari menshi cane.

Kandi ntitwashatse kuyavuga yose kuko turi abagumyabanga.
Muramiza ku muzirikanyi ya migani ngo:

• Umugabo w'imvugirakuyamara akundwa na bake
• Umugabo atibaza kazoza iyo yicaye imbere y'iziko akaraba mu mbari yibaza ngo niho igihugu kigera.
• Wanka kurimana imvi ukazisherana
• Wopfuma ubana n'ishetani uzi hakubana n'umumarayika utazi

MANA MUSHOBORAVYOSE NKUKO
WAMYE UTUGARUKIRA, NUBU
TURAKWITUYE NGO WIBAGIRE AMABI
YOSE ARIKO ARAKORWA N'AKO
KARWI UGARUKIRE UBURUNDI